www.kidworship.kr

# Sodomu na Gomora


- 7th Story -



42Page



43Page



44Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abantu b'i Sodomu na Gomora baracumuye ku Mana. Ivyaha vyabo vyarabaye umutuku ku buryo Imana yipfuza kuranduza Sodomu na Gomora umuriro. Imana yari yabimenyesheje Aburahamu. |
| Imana | "Nzorandura Sodomu na Gomora." |
| Uwuvuga | Aburahamu yumvise imigabo y'Imana kuri ivyo bisagara, aririra muhungwabo Loti yaba i Sodomu, hanyuma araheza atakambira Uhoraho. |
| Aburahamu | "Mukiza, mbega muri Sodomu na Gomora hobamwo n'abagororotsi cumi, ku bw'abo woshobora guharira Sodomu na Gomora?" |
| Imana | "Hamwe hoboneka n'abagororotsi cumi i Sodomu nohababarira sindaharandure." |

---

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ni uko muri Sodomu ntihaboneka n'abagororotsi na cumi. Uhoraho ahitamwo kurandura Sodomu ariko, akiza Loti n'umuryango wiwe. Abamarayika b'Uhoraho bashika mu nzu ya Loti mu masaha yo gufungura mw'ijoro. Loti abonye ko ari abamarayika b'Uhoraho, arabashikisha mu nzu yiwe arabazimana. Bahejeje gufungura, abagabo bavuye mu mice yose y'igisagara bakikuza inzu ya Loti bamusaba ko abasohorera abo abagabo babiri. |
| Loti | "Oya ncuti zanje, aba bantu ni abashitsi banje b'iteka." |
| Uwuvuga | Naho Loti yagerageje kubahagarika, ntivyari bigishoboka. |

---

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ba bamalayika basunurira Loti mu nzu hanyuma bugara urugi. Baca batera ba bantu bari ku muryango uruhumyi kugira ngo ntibabone umuryango. Ba bamalayika babwira Loti. |
| Umumalayika | "Iki gisagara caracumuye birenze k'Uhoraho nico gituma Uhoraho yaturungitse kukirandura." |
| Loti | Ni...ni...vyo?? Oh... |
| Umumalayika | "Vyuka uhitane umugore wawe n'abakobwa bawe babiri, muve ngaha muri Sodomu." |



45Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Imana yari yateguye gukomvomvora Sodomu n'abayibamwo bose, ariko ku bwa Aburahamu, irokora Loti n'umuryango wiwe. Abamarayika baha Loti ingendero ya nyuma. |
| Umumalayika | "Ntuhindukire kandi ntuhagarare ahantu na hamwe muri iki kiyaya. Hungira kuri iriya misozi!" |
| Loti | "Bagenzi,nyemerera se mpungire muri kariya gasagara ka Sowari siko kari hafi." |
| Uwuvuga | Loti yinginga ba bamalayika. |

........................................................................................................................




46Page



47Page



48Page



49Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Muri ako kanya Loti ashitse i Sowari izuba riraseruka. Uhoraho aca atiburira umuriro w'amazuku kuri Sodomu na Gomora. Abantu bose, amasho hamwe n'ibimera vyose bira-komvomvorwa. Uhoraho, acishije ku bamarayika yari yate-getse Loti n'umuryango wiwe kudakebuka inyuma baraba Sodomu, ariko umugore wa Loti akebuka inyuma ahinduka inkingi y'umunyu. |